Washington State Department of Social & Health Services
Transforming lives

Amasezerano
Consent

ITANGAZO RY' ABAKIRIYA: Igisata c' Imfashanyo z' Amagara n' Imibano (DSHS) gishobora kugufasha neza mugihe dufise uburyo bwo gukorana n' ayandi mashirahamwe hamwe n' abahinga bazi neza amakuru yawe n' umuryango wawe. Mugushirako umukono kuriyi fishi, utanze uburenganzira kuri DSHS hamwe n' amashirahamwe n' abantu banditswe musi gukoresha no guhanahana amakuru y' ibanga akugenga. Igisata ca DSHS ntigishobora kuguhakanira inyungu mugihe udashizeko umukono kuriyi fishi kiretse mugihe amasezerano yawe ari nkenerwa m' ukugena amahirwe y' ukwemererwa kwawe. Mugihe udashizeko umukono kuriyi fishi, DSHS ishobora kugumiza ihanahanwa ry' amakuru akwerekeye k' urugero ruvyemererwa n' amategeko. Mugihe ufise ibibazo kuvyerekeye ukuntu igisata ca DSHS gihanahana amakuru y' ibanga y' abakiriya canke uburenganzira bw' ibijanye nitunganywa ry' ibanga, urasabwa gushakisha amakuru kw' Itangazo rya DSHS ry' Ibikorwa vy' Itunganywa ry' Ibanga canke ubaze umuntu aguhaye iyi fishi.

IBIRANGA UMUKIRIYE:

IZINA	IGENEKEREZO RY' AMAVUKO	NUMERO YINDANGAMUNTU

ADERESI	UMUJI	INTARA	NUMERO YA KODE

NUMERO YA TELEFONE (HARIMWO KODE Y' AKARERE)	AYANDI MAKURU

AMASEZERANO:

Ndemeye ikoreshwa ry' amakuru y' ibanga angenga muri DSHS mu gutegura, gutanga, hamwe n' uguhurizahamwe imfashanyo, ivurwa, amafaranga yo kuriha, hamwe n' inyungu zo kuri jewe canke kuzindi ntumbero zivyemererwa n' amategeko. Ndatanze n' ubundi burenganzira kuri DSHS hamwe n' amashirahamwe yanditswe musi, abafasha, canke abantu gukoresha amakuru angenga no kuyasohora bo kuribo kuri zino mpamvu. Amakuru ashobora guhanahanwa mumvugo canke mukwimura amakuru bicishijwe mubuhinga bwa none bwa orudinateri, kugasandugu k' amakete, canke gushikiriza muntoki.

Urasabwa kuraba abantu bose bashizwemwo musi kuri aya masezerano kandi ubatahure ku mazina na aderesi zabo:

☐ Abatanga ibungabunga ry' amagara: _____
☐ Abatanga ibungabunga ry' amagara y' indwara zo mumitwe: _____
☐ Abatanga imfashanyo z' indwara zo gukoresha ibiyayuramitwe: _____
☐ Abandi bafasha bafitaniye amasezerano y' akazi na DSHS: _____
☐ Imigambi y' ivyerekeye uburaro: _____
☐ Imashure y' akarere canke amashure yisumbuye: _____
☐ Igisata c' Ibohero ryo Kugenzura Abagirizwa Ivyaha: _____
☐ Igisata c' Umutekano w' Akazi n' Itangwa ry' Akazi hamwe nabo gikorana muvyerekeye itangwa ry' akazi: _____
☐ Ubuyobozi bw' Umutekano Mumibano canke ayandi mashirahamwe ya reta zunzubumwe: _____
☐ Raba urutonde ruhometsweko
☐ Ibindi:

Ndahaye uburenganzira no kwemera ihanahanwa ry' ivyafashwe hamwe n' amakuru bikurikira (shirako akamenyetso kubijanye vyose):
☐ Amakuru yose abitswe y' umukiriya wanje ☐ Amakuru yafashwe ahometswe k' urutonde
☐ Gusa amakuru akurikira
☐ Kahise k' umuryango, imibano hamwe n' akazi ☐ Amakuru y' ibungabunga ry' amagara ☐ Ivurwa ry' amagara canke imigambi y' ibungabunga
☐ Amakuru y' amafaranga yatanzwe ☐ Isuzumwa ry' umuntu ☐ Amashure, ubumenyi, hamwe n' imyimenyerezo y' akazi
☐ Ibindi (urutonde):

URASABWA GUTAHURA: Mugihe amakuru y' umukiriya wawe arimwo amakuru ayariyo yose yibi bikurikira, utegerezwa kwuzuza iki gice m' ugushiramwo aya makuru yafashwe.

Ndatanze uburenganzira gusohora amakuru akurikira (shirako akamenyetso kubijanye vyose):
☐ Amagara y' indwara zo mumitwe ☐ Inyishu z' ibipimo vy' imigera ya HIV/AIDS n' imigera ivana n' ihuza bitsina STD, ifatwa z' indwara, canke ivurwa
☐ Indwara z' Ugukoresha Ibiyayuramitwe

- **Aya masezerano afise ishingiro ryu ☐ mwaka umwe ☐ mugihe DSHS gikeneye amakuru, canke ☐ gushika _____ (igenekerezo canke ikintu kiba).**
- **Nshobora guhagarika canke gukuramwo aya masezerano umwanya uwariwo wose ndabicishije munyandiko, ariko ntangaruka bizozanira amakuru ayariyo yose yamaze guhanahanwa.**
- **Ndatahura ko amakuru ahanahanwa musi yaya masezerano ashobora kuba atagikingiwe musi y' amategeko akurikizwa muri DSHS.**
- **Ishusho ry' iyi fishi rifise ishingiro ryo gutanga uburenganzira bwanje bwo guhanahana amakuru angenga.**

UMUKONO	IGENEKEREZO	ICABONA/UMUNOTERI (SHIRAKO UMUKONO KANDI WANDIKE IZINA, NIYABA BISABWA)	IGENEKEREZO

UMUKONO W' UMUVYEYI CANKE ABANDI BAMUSERUKIRA (NIYABA BISABWA)	NUMERO YA TELEFONE (HARIMWO KODE Y' AKARERE)	IGENEKEREZO

Mugihe ntari umutwe wayo makuru yafashwe, ndafise uburenganzira bwo gushirako umukono kubera ndi: (homekako icemezo c' uburenganzira)
☐ Umuvyeyi ☐ Umurezi w' Amategeko (homekako ingingo ya sentare) ☐ Umuserukizi w' umuntu ☐ Ibindi:

ITANGAZO KUBARONKA AMAKURU: **Mugihe ibi vyafashwe harimwo amakuru yerekeye imigera ya HIV, STD, canke AIDS, ntushobora kandi gusohora ayo makuru ata burenganzira bwite ubuhawe n' umukiriya.** Mugihe waronse amakuru ajanye n' ikoreshwa rya nabi ry' umukiriya ry' ibiyayuramutwe canke inzoga, utegerezwa gushiramwo inyandiko zikurikira mugihe usohoye bundi amakuru nkuko bisabwa n' ibwirizwa rya 42 CFR 2.32: Aya makuru yasohowe kuri wewe avuye muyakingiwe n' amabwirizwa ya Reta Zunzubumwe y' ibikwa ry' amakuru y' ibanga (42 CFR part 2). Amabwirizwa ya Reta Zunzubumwe arakwiyamiriza gutanga kandi aya makuru kiretse mugihe itangwa kandi ryaya makuru riritangiwe uburenganzira munsiguro bikozwe n' inyandiko y' amasezerano y' umuntu ajejwe aya makuru canke bitangiwe uburenganzira n' ibwirizwa rya 42 CFR igice ca 2. Uburenganzira rusangi bw' umurwi wo hagati mukuyasohora canke ayandi makuru ntibikwiriye kuriyi ntumbero. Amabwirizwa ya Reta Zunzubumwe arabuza ikoreshwa iryariryo ryose ry' amakuru m' ugukora ipererereza ry' ubugizi bwa nabi canke gucira urubanza umurwayi w' ikoreshwa rya nabi ry' inzoga hamwe n' ibiyayuramitwe.

AMABWIRIZWA YO KWUZUZA IFISHI Y' AMASEZERANO

Intumbero: Koresha iyi fishi mugihe ukeneye amasezerano yo gukoresha amakuru atunganywe kubifatiye ibandanya ryerekeye umukiriya muri DSHS canke gusohora amakuru kuyandi mashirahamwe mugufatakanisha imfashanyo canke kw' ivurwa, itangwa ry' amafaranga canke ibikorwa vy' ishirahamwe canke izindi ntumbero zivyemezwa n' amategeko. Amakiriya canke abantu bahabwa inyungu canke imfashanyo zivuye muri DSHS.

Ikoreshwa: Uzuza iyi fishi ukoresheje ubuhinga bwa none niyaba bishoboka kugira bifashe m' ugusoma, **ifishi yo k' uruhande itegerezwa kwuzuzwa kuri buri muntu, harimwe abana.** "Wewe" kumabwirizwa yerekejwe k' umukozi wa DSHS hama "wewe" kw' ifishi yerekejwe umukiriya. Ihanahanwa ry' amakuru harimwo ikoreshwa hamwe n' ugusohora amakuru atunganywe yivyerekeye umukiriya.

Ibice vy' Ifishi:

IBIRANGA:

- Izina: Tanga izina ry' umukiriya umwe gusa kuri buri fishi. Shirako amazina ayariyo yose yakahise umukiriya ashobora kuba yarakoresheje mugihe yariko arahabwa imfashanyo.
- Igenekerezo ry' Amavuko: Birakenewe m' ugutahura n' ugutangukanya umukiriye afise amazina asa n' ayabandi.
- Numero Ndangamuntu: Tanga numera ndangamuntu y' umukiriya canke ibindi biranga nkakarorero numero y' umutekano mumibano (ntibisabwa) m' ugufasha gutahura amakuru canke m' ugukurikirana kamere kakahise hamwe n' imfashanyo zatanzwe.
- Aderesi hamwe na telefone: Amakuru yiyongera azoshobora gufasha mugutahura ahantu hamwe no kumenya canke kuganira n' umukiriya.
- Ibindi: Shiramwo muri kano gasandugu amakuru yiyongera ayariyo yose ashobora gufasha kumenya aho amakuru ari hashobora kuba harimwo ibice vya DSHS biri mumfashanyo, amazina y' abanywanyi b' umuryango, canke ayandi makuru abifitaniye isano.

AMASEZERANO (ITANGWA RY' UBURENGANZIRA):

- Amashirahamwe canke abantu bahanahana amakuru yafashwe: Iyuzuzwa ry' umukiriya kuriyi fishi biha uburenganzira ikoreshwa hamwe nihanahanwa ry' amakuru atunganywe mubice vyose vya DSHS. DSHS izoshobora gusohora hamwe no kuronka amakuru atunganywe kuri no kuva kumashirahamwe yo hanze canke abantu bashizwe k' urutonde. Tanga amakuru yo kuranga ivyerekeye amashirahamwe canke abatanga imfashanyo, harimwo izina, aderesi canke ahantu niyaba bishoboka. Kandi urashobora guhomekako urutonde rw' amashirahamwe ahabwa uburenganzira bwo guhanahana amakuru kandi umukiriya ategerezwa gushirako umukono.
- Amakuru arimwo: Abakiriya bategerezwa kwerekana amakuru akikujwe muri ayo masezerano. Abakiriya bashobora gushira ahabona amakuru yose canke bashobora gushira imbibe z' urugero rw' amakuru arimwo kw' igenekerezo, ubwoko canke isoko ry' amakuru. Mugihe umukiriya adashatse gushirako umukono kumasezerano canke adashinze amakuru bwite, ihanahanwa ryayo makuru azobandanya guhanahanwa mugihe bivyemezwa n' amategeko. Ushobora guhomekako urutonde rw' amakuru akikujwe kandi umukiriya ategerezwa kubishirirako umukono. Niyaba hari ivyafashwe ivyarivyo vyose birimwo amakuru yerekeye amagara y' indwara zo mumitwe (RCW 71.05.620), ibipimo canke ivurwa rya HIV/AIDS canke STD (RCW 70.02.220), canke imfashanyo z' ibiyayuramitwe n' inzoga (42 CFR 2.31(a)(5)), umukiriya ategerezwa gushirako utumenyetso kuribi bice bwite m' ugutanga uburenganzira bwo guhanahana aya makuru yafashwe. Iyi fishi ntashingiro rifise ry' ugushiramwo raporo y' ivurwa ry' indwara zo mumitwe musi y' ibwirizwa rya 45 CFR 164.508(b)(3)(ii) kandi ishusho itandukanye itegerezwa kwuzuzwa m' ugushiramwo ayo makuru.
- Ikiringo: Shiramwo igenekerezo ryo guhera agaciro kumasezerano akora intumbero z' umugambi wawe canke nkuko bitangwa n' amategeko.
- Ugutahura: Emeza ko umukiriya atahura uburenganzira buriko buratangwa hamwe n' ukuntu n' impanvu zituma amakuru azohanahanwa. Mugihe bikenewe, koresha ifishi isiguwe hamwe n' umusiguzi canke soma ifishi mw' ijwi ryo hejuru. Mugihe umukiriya akeneye ayandi makuru, tanga ishusho yiyongera y' Inyandiko ya DSHS y' Ibikorwa vy' Amakuru Atunganywe canke mwerekeze uyo mukiriya k' umunyamabanga w' ugusohora amakuru k' umurwi wawe

ISHIRWAKO RY' IMIKONO:

- Umukiriya: Ha umukiriya canke umwana w' imyaka yo hejuru yo gukora amasezeranoover (13 ku magara y' indwara zo mumitwe canke imfashanyo zikoreshwa ry' ibiyayuramitwe canke inzoga; 14 kumigera ya HIV/AIDS hamwe n' iyindi ya STDs; n' imyaka iyariyo yose yo kwirinda gusama imbanyi hamwe no gukorora imbanyi; 18 kw' ibungbunga ry' amagara hamwe n' ayandi makuru) gushirako umukono kuri kano gasandugu no gushirako igenekerezo umukono ushiriweko. Umukiriya ashobora guhindura akamenyetso muri kano gasandugu ubibereye icabona.
- Icabona canke umu Noteri: Icabona canke umu noteri bashobora kuba bakenewe m' ukwemeza ikikuranga mugihe udatanze iyi fishi kubwawe canke mugihe umugambi usaba ivyemezo. Uyu muntu ategerezwa gushirako umukono no kwandika izina ryiwe.
- Umuvyeyi canke Abandi Bamuserukira: Mugihe umukiriya ari umwana afise imyaka mike itemerewe n' amategeko yo gukora amasezerano, umuvyeyi canke umurezi w' amategeko ategerezwa gushirako umukono. Mugihe umwana adakwije imyaka yo gukora amasezerano ku makuru yose kugira ahanehanwe, umwana hamwe n' umuvyeyi bategerezwa bose gushirako umukono. Mugihe umukiriya yatangajwe n' amategeko ko atabushobozi abifitiye, umurezi yashinzwe na sentare ategerezwa gushirako umukono kandi agatanga n' ishusho y' ingingo ya sentare yiryo shingwa ryiwe. Mugihe umuntu ariko arashirako umukono m' ubundi buryo (harimwo umuntu w' ubushobozi bw' umushingwamanza canke umuserukizi w' umuntu mugihe uwundi atahari), shirako akamenyetso "ibindi" kandi uronke ishusho y' amategeko itanga uburenganzira bwo guserukira uwutakiriho. Umuntu ashirako umukono ategerezwa gushirako igenekerezo ry' uyo mukono kandi atange numero za telefone canke amakuru yo kumurondererako.